INAMA

NKENGUZAMATEKA

Adresse : Av. du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
e-mail : info@senat.bi

SENAT

Gitega, le….. / . … /2023

N. Réf : *SNB/ COM. I./…./2023*

***Commission permanente chargée des questions politiques, diplomatiques, de défense et de sécurité.***

A Son Excellence Très Honorable
Président du Sénat
à

**Gitega**

**Objet** : Transmission d'un rapport d'une descente

Excellence Très Honorable Président,

J'ai l'honneur de vous transmettre en annexe à la présente, le rapport d'une descente effectuée par la commission permanente chargée des questions politiques, diplomatiques, de défense et de sécurité.

Vous en souhaitant bonne réception, je vous prie d'agréer, Excellence Très Honorable Président, l'assurance de ma très haute considération.

**POUR LA COMMISSION PERMANENTE CHARGEE DES QUESTIONS POLITIQUES, DIPLOMATIQUES, DE DEFENSE ET DE SECURITE;**

**Sénateur Gad NIYUKURI, Président.**

INAMA

NKENGUZAMATEKA

Adresse : Av. du Peuple Murundi

B.P. : 114 Gitega

Tél : (+257) 22 40 50 08

22 40 50 23

Site Web : www.senat.bi

e-mail : info@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le ... / ... / 2023

N. Réf : *SNB/ COM.I/..../2023*

***Commission permanente chargée des questions politiques, diplomatiques, de défense et de sécurité***

**ICEGERANYO C'IBIKORWA VYAVUYE MU RUGENDO RW'AKAZI RWAGIZWE N'ABAKENGUZAMATEKA BARI MU MURWI WAMAHO WA MBERE WO MU NAMA NKENGUZAMATEKA UJEJWE IBIBAZO VYA PORITIKE, IVY' IMIGENDERANIRE Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU, IVY'UKWIVUNA ABANSI N'IVYUMUTEKANO**

## A. INTANGAMARARA

Kuva kw'igenekerezo rya 17 gushika ku rya 21 ukwezi kwa ndamukiza umwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na gatatu, abakenguzamateka bagize umurwi wamaho wa mbere wo mu Nama Nkenguzamateka baragize urugendo rw'akazi mu ntara zitari nke z'igihugu c'Uburundi mu ntumbero yo guserukira abenegihugu, ivyo bikaba biri mu vyo bajejwe bitegekanywa n'Ibwirizwa Nshingiro.

Muri iyo ntumbero, abakenguzamateka bagendeye imipaka y' Uburundi icako abantu b'ingenzi, ibidandazwa n'ibindi mu ntumbero yo kuraba ingene umutekano wifashe ku mbibe n'ingene abantu n'ibintu vyoroherezwa mu kwinjira no mu gusohoka mu gihugu.

Uyo murwi kandi wari ufise mu ntumbero yawo kugendera amakomite ahurikiyemwo bose ajejwe umutekano ku rwego rw'intara kugira barabe uko bitunganya mu bikorwa vyayo vya minsi yose bongere bayatere intege. Ivyo vyashobotse mu ntara imwe ya Cibitoke kuko uwo murwi utaronse umwanya ukwiye muri urwo rugendo nkuko wari wavyifuje.

Umurwi wagendeye imbibe z'Uburundi ahari ibisata bijejwe uruja n'ikigo kijejwe imbibe, ingenzi, no gutanga impapuro z'inzira (Commissariat général des migrations).

Ikindi ni uko muri rusangi, abakenguzamateka basanze aho baciye hose ata biribwa biva mu Burundi bemerera kurenga imbibe z' Uburundi bija mu bindi bihugu bihana imbibe

ariko ibiva hanze biremerewe kwinjira.Ivyo bigakorwa mu ntumbero yo gukingira umwimbu w'igihugu cacu.

## B. INTARA N' IBIBANZA VYO KU MIPAKA UWO MURWI WAGENDEYE

1. Intara ya Muyinga: Kobero
2. Intara ya Kirundo: Gasenyi- Nemba
3. Intara ya Cibitoke: Komine Mabayi na Ruhwa
4. Bujumbura: Ku rubibe rwa Gatumba, mu kigo kijejwe imbibe, ingenzi, no gutanga impapuro z'inzira (Commissariat général des migrations) no ku kibuga c'indege
5. Rumonge: ikivuko ca Rumonge
6. Makamba: Mugina

## C. UKO IBINTU VYIFASHE MURI RUSANGI

### a) Ibijanye n'umutekano

Muri rusangi, aho abakenguzamateka bashitse ku rubibe rw'Uburundi haba i Kobero n'i Mugina ku rubibe rwa Tanzaniya n'Uburundi, mu Gasenyi- Nemba no ku Ruhwa ku rubibe Uburundi buhana n'Urwanda, mu Gatumba ku rubibe Uburundi buhana na Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo, ku kivuko ca Rumonge, abakenguzamateka basanze umutekano wifashe neza.

Abaporisi b'ivyo bihugu n'ab'igihugu cacu basenyera ku mugozi umwe. Barahanahana amakuru iyo hagize abashaka guhungabanya umutekano canke abaca n'abacisha ibintu mu nzira zitemewe.

### b) Ibijanye n'ibikorwa vya minsi yose vy'uruja n'uruza

Ibisata bijejwe uruja n'uruza abakenguzamateka bagendeye basanze vyose harimwo ingorane zidasanzwe zifise inkwirikizi ku ruja n'uruza. Inkuru nkuru zibonekeza ni izijanye no kubura ibikoresho vy'akazi, kubura abakozi bakwiye, kubura umuyagankuba, ugucikagurika kw' imihora hagati y' imashini nyabwonko (connection internet) bigatuma abakorera ku mipaka batabona ivyo abandi bariko barakora, kubura impapuro, kubura ibibanza vyo gukoreramwo bikwiye, kubura ubuzu bwa sugumwe, kubura ibikoresho vy'isuku n'ibindi.

## D. IVYO ABAKENGUZAMATEKA BASANZE AHO BAGENDEYE

## I.UMUPAKA WA KOBERO

### a) Ku bijanye n'umutekano

Umutekano wifashe neza cane.

ꝏ

**b) Ku bijanye n'uruja n'uruza**

Uruja n'uruza ni rwinshi cane. Haca abantu n'ibiduga binini binini (gros camions) vyinshi kuri uwo mupaka.

**c) Ingorane zihari**

Ingorane ziri mu gisata kijejwe uruja n'uruza i Kobero zifatiye cane cane kuri ibi bikurikira:

- kubura ibikoresho vy'akazi nkuko twabishikirijwe n'umukuru w'umurwi ukorera kuri uyo mupaka (chef d'équipe). Kuva batangura gukorera hamwe n'igisata c'ikigo c'igihugu gitoza amakori (OBR), haraheze imyaka itanu, imashine nyabwonko batanguranye nizo bagifise. Ubu bakaba barwazarwaza imashini 2 muri 6 batanguranye. Ntibaronka abazikora iyo zipfuye bigatuma kwandika ingenzi biteba kuko babandikisha intoke mu bitabu vyandikwamwo (registres). Ivyo bituma ingenzi zigira imyidogo myinshi kuko bamara igihe kinini barindiriye kwandikwa ;

- inkwirikizi yo kwandika mur benivyo bitabu n'intoke ni uko iyo hari abaronderwa batemerewe gusohoka canke kwinjira mu gihugu, nta mafoto yabo baheza ngo babone kugira bababuze na cane cane igihe usanga hari abitiranwa ;

- kubura abakozi bakwiye uravye uruja n'uruza rwinshi ruri kuri uwo mupaka, ivyari kuba vyiza ukoze amasaha 24 kuri 24 uravye uruja n'uruza ruhari ;

- iyindi ngorane nyamukuru bafise ni iy'ikibanza imiduga ihagararamwo n'ibarabara ryaga kandi rimaze kononekara bigatuma ibiduga binini binini bidashobora kubisanya. Haca imiduga myinshi irimwo ibikamwo binini binini ikabura aho bihagarara bagasaba ko Reta yokwagura ikibanza imiduga ihagararamwo kuko iyo nzira ifitiye Reta akamaro kadasanzwe uravye amahera uwo mupaka winjiza ku munsi.

## II. UMUPAKA WA GASENYI- NEMBA

Abakenguzamateka bakiriwe n'uwurongoye akarere kuri uwo mupaka n'abo bakorana.

Mu vyo yamenyesheje abakenguzamateka ni ibi:

**a) Ku bijanye n'umutekano**

- Nta ngorane z'umutekano zihari kuko imigenderanire yifashe neza cane.
- Ikibigaragaza ni uko n'ibitungwa bijabutse urubibe rw'igihugu babisubizanya.
- Abaca mu mayira atarekuwe barabasubizanya.
- Abarovyi barenze urubibe rwo mu mazi rw'ikindi gihugu babafashe barabasubizanya inyuma yo kugira amatohoza.
- Abaja mu Rwanda ataruhusha barabagarukana n'abaza mu Burundi nuko nyene.

**b) Ku bijanye n'uruja n'uruza**

- Uruja n'uruza rurahari kandi ni rwinshi kuva imbibe z' Uburundi n'Urwanda zugururwa. Ingenzi ziroroherezwa iyo zikwije ibisabwa n'amategeko ariko hariho impapuro baha abenegihugu b'Uburundi baja mu Rwanda kurema isoko canke kurimirayo zitwa « **ujilani mwema** » bisigura « **umubano mwiza**» batakizironswa bigatuma bidoga basaba ko zosubira gutangwa.

- Haraca n'impunzi zihunguka zizanywe n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe impunzi rikorera mu Rwanda (HCR) bakabaha ishirahamwe nk'iryo rikorera mu Burundi kandi bikaba bigenda neza gushika ubu.

**c) Ingorane zihari:**

- Kuri uyo mupaka hari inyubako ibanki ya Afrika ijejwe iterambere (BAD) yubakiye Uburundi n'Urwanda abakozi b'ivyo bihugu bakoreramwo bose. Mu gihe Urwanda ruguma rusiga amarangi, rushiramwo ibikoresho bikenewe, imashini nyabwonko n'ibindi vyorohereza abakozi mu kwandika no gusuzuma uruja n'uruza, Abarundi bobo bakorera mu buryo butaborohereza kuko bandikisha intoke mu bitabu vyo kwandikamwo. Inzu ntizirasubirwamwo kuva bazironka, ibikoresho vy'isuku ntibabironka, utuzu twa sugumwe turakenye, ibikoresho vy'isuku vyo gukora hanze no mu bw'iherero birabuze, amatara ntagera ku mupaka igihe ku ruhande rw'Urwanda habona neza. Iyo umuyagankuba acitse, abakozi b'Urwanda batsa icuma gitanga umuyagankuba (groupe électrogène) hakaguma habona.

- Barabuze kandi igicapo kiboneka cerekana ko ugeze mu Burundi (pancarte), akahari ntikaboneka.

- Ntibagira aho bakirira ingenzi z' icubahiro (VIP) kandi uwo mupaka ucako ingenzi nyinshi z 'icubahiro.

**c) Ivyo basaba**

Abakozi bahakorera basaba ko ivyo twadondaguye aho hejuru vyokorwa na burya Reta y'Urwanda iriko irubaka ikibuga c'indege mpuzamakungu hafi y'uwo mupaka, ibizotuma haca ingenzi nyinshi.

Iyindi nsiguro nuko kubera abanyarwanda n'abarundi bakorera mu nyubako imwe, Urwanda narwo rukaba rutegekanya gusubiramwo iyo nyubako yose harimwo naho abarundi bakorera (gusiga irangi igice c'Uburundi nkuko basize mu Rwanda no guhindura amabati), ivyo abo bakozi b' Uburundi batakiriye neza kuko bidatera iteka igihugu cacu.

**III. UMUPAKA WA RUHWA**

Abakenguzamateka bakiriwe n'umukuru w'ikirindiro kijejwe umutekanogikorera aho ku mupaka wa Ruhwa (chef de poste).

Ivyo yabwiye abakenguzamateka:

**a) Ku bijanye n'umutekano**

Bamenyesheje abakenguzamateka ko umutekano wifashe neza. Abarundi n'Abanyarwanda bakorera kuri uwo mupaka barakorana neza mu guhanahana amakuru ajanye n'umutekano. Abarundi canke Abanyarwanda baja ku butaka bw'ikindi gihugu batabifitiye uburenganzira barafatwa bagasubizwa mu gihugu bavuyemwo.

Kuri uyo mupaka, abanyarwanda ntibagikorera hamwe n'abarundi kandi hariho naho nyene inyubako imwe ibanki y' si yose (BAD) yubakiye Urwanda n'Uburundi nkuko biri ku mupaka wa Gasenyi –Namba Abanyarwanda barimukiye mu nyubakwa zabo ziri ku ruhande rw'Urwanda kuva inyuma y'umwaka w'ibihumbi bibiri na cumi na gatanu.

**b) Ku bijanye n'uruja n'uruza**

Abarundi baraja mu Rwanda n'Abanyarwanda bakaza mu Burundi ku bwinshi bivanye n'iminsi.

**c) Ingorane zibonekeza**

- Barafise ibibazo vy'amamashine yo kwandikamwo ingenzi nk'ahandi hose. Ingenzi bazandika n'ikaramu muri ya makaye twavuga.

- Umuyagankuba uguma acikagurika bigatuma ama mashini bakoresha apfa.

- Utuzu twa surwumwe ntidukwiye kandi n'utuhari ntidukora.

- Ntibagira aho bakirira abashitsi b'iteka mu gihe barindiriye kwandikwa canke mu gihe babagendeye.

- Barabuze rushingajisho (caméra de surveillance) zikwirikirana ingenzi igihe bari aho mu biro babandikiramwo canke ibikorerwa muri ivyo biro.

- Imyidogo ihari y'ingenzi iva ku bukene bw' ivyokurya mu Rwanda bigatuma abenegihugu b'ivyo bihugu bagomba gushorayo canke kuza kugura ibiribwa ivyo na vyo bikaba bitarekuwe kuko umwimbu woca uherera yo ku mvo zuko ifaranga ry'Urwanda rifise agaciro ugereranije n'iry'Uburundi.

## IV. URUGENDO MU BIRO RWAGIZWE MU KIGO KIJEJWE IMBIBE, INGENZI, NO GUTANGA IMPAPURO Z'INZIRA

Abakenguzamateka bakiriwe n'umukuru w' ikigo kijejwe imbibe, ingenzi no gutanga impapuro z'inzira. Intumbero y'abakenguzamateka kwari ukuraba uko uruja n'uruza vyifashe mu gihugu, kuraba ingene ibitabo vy'inzira bitangwa, igituma gutanga ibitabo vy'inzira biteba cane mbere rimwe na rimwe ukamenga vyahagaraye hamwe no kuraba abantu bikika hagati y'ico kigo twavuze aho hejuru hamwe n'abarondera impapuro z'inzira (commissionnaires) baka ibiturire ko bakibandanya muri iki gihe bakoresha

ubuhinga bushasha bwo gusaba impapuro z' inzira bacishije ku buhinga ngurukanabumenyi.

Kuri ivyo bibazo vyose, umukuru w' ikigo kijejwe imbibe, ingenzi no gutanga impapuro z'inzira yarashikirije igituma impapuro z'inzira ziteba mu kubwira abakenguzamateka ko abazisaba biyongereye ku rugero runini cane arico gituma abazisaba uno munsi usanga bahabwa isango rigeze mu kwezi kw'icenda. Yaramenyesheje ko ubu abasavye izo mpapuro bangana n'ibihumbi miringo ine na bitanu (45.000). Ku musi hatonda 1000 c'abarondera ivyo bitabu vy'inzira.

Akarorero k'ingene bagiye bariyongera:

- mu mwaka w'ibihumbi bibiri na cumi n'umunani (2018), ibitabo vy'inzira bagura vyamara imyaka 2 canke 3 ;

- mu mwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri (2020): ibitabo vy'inzira vyakoreshejwe vyiyongereyeko 25.000;

- mu mwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na rimwe (2021), hiyongeyeko ibitabo 50.000 bikaba vyamaze amezi adashika 9;

- muri bibiri na mirongo ibiri na kabiri (2022), batumyeko ibitabu 50.000 kandi nivyo bariko barakoresha ubu.

Ivyo batumyeko bitaraza ni 200.000 kugira barabe ko ikibazo cogabanuka.

Ku kibazo kijanye n'igituma gutanga ivyo bitabo vy'inzira hagera igihe bigahagarara, yishuye ko amakete aca mu bisata vyinshi bigatuma kugura ivyo bitabu biteba ari naco gituma ku bwiwe yifuza ko kugira inyishu iboneke, ko ivyo biro vyotuma bisubira gutwarwa mu biro vy'Umukuru w'igihugu nkuko vyahoze na mbere.

Ku bijanye n'abaka amahera abarondera izo mpapuro kugira babafashe, yaravuze ko bitagishoboka kuko izo mpapuro zisigaye zisabirwa ku materefone no ku buhinga ngurukanabumenyi. Ntiyahakanye ko hakiri abantu bahenda abandi ngo babahe amahera babashikire ku mukuru w'ico kigo kijejwe imbibe, ingenzi no gutanga impapuro z'inzira babanyarukirize.

Yaramenyesheje abakenguzamateka yongera abizeza ko kubera basigaye bagurira ivyo bitabo aho bikorerwa atawurinze guca hagati, ko mu minsi itari myinshi abazohora basaba ivyo bitabo bazobironka batarinze guteba cane.

Ikindi yaravuze ko kubera uburyo bushasha bwo gusaba ibitabu bashizeho ko hazoba ikwirikizwa ryo kubitanga uko bakwirikiranye mu kubisaba kandi ivyo bikazorinda ababisavye guta umwanya kuko igihe igitabo kizoba giheze gukorwa, bazobimenyesha biciye mu nyandiko (message).

- Ikindi bategekanya ni ukurihishiriza ivyo bitabo kuri lumicash, BANCOBU e NOTI etc.

- Abo mu ntara zitegereye i Bujumbura, bazoshira impapuro zisabwa kugira umuntu aronswe ivyo bitabo vy'inzira mu biro biri mu ntara vy'ico gisata kugira boroherezwe.

- Abari hanze y'igihugu c'Uburundi nabo nyene bazosaba ivyo bitabu vy'inzira bakoresheje bwa buhinga bushasha twavuze.

Ku bijanye n'abarondera ivyo bitabu bihutira kuja hanze ku mvo zitandukanye, yarishuye ko babironswa mu mwanya mwiza kuko ivyo vyategekanijwe mu buryo bushasha bwo gusaba ibitabu vy'inzira.

## V. IVYAVUYE MU RUGENDO RWO KU KIBUGA C'INDEGE

Abakenguzamateka bagendeye ikibuga c'indege mu ntumbero yo kuraba naho nyene uko uruja n'uruza rwifashe, umutekano w'ingenzi n'ibibazo abahakorera bahura.

Abakenguzamateka bakiriwe n'uwutwara ikibuga c'indege (commandant aéroportuaire).

### Uko ibintu vyifashe

#### a) Ku bijanye n'umutekano

Muri rusangi, yaramenyesheje ko umutekano wifashe neza.

#### b) Uruja n'uruza

Yaramenyesheje ko ingenzi ubu ari nyinshi abaza n'abagenda kuva mu 2022. Abarundi bari bamaze imyaka irenga cumi bataza ubu baraza. Hari n'abatari bwigere baza ubu baza hamwe n'izindi ngenzi zitandukanye zirimwo abanyamahanga.

Abantu biyongera bivanye n'amezi hakaba haza abantu bari hagati y'ibihumbi cumi na bitanu na cumi n'indwi (15.000-17.000) ku kwezi.

Yaramenyesheje kandi ko ibintu vyo kugora abantu vyahagaze kuva ahashika ku bice mirongo icenda kw'ijana. Ikindi cariho nuko abakozi basabiriza canke bagashira ingenzi mu ngorane kugira bagire ico babaha ubu bikaba vyaragabanutse.

Mu ntumbero yo gukomeza umutekano w'ingenzi, barashizeho vya rushingajisho (caméra de surveillance). Yarabamenyesheje ko ivyo bumva ku mbuga ngurukanabumenyi biva ku Barundi baba hanze (diaspora) bama bibaza ko bafise uburenganzira bwose niyo badakwije ibisabwa iyo baje mu Burundi canke bahavuye bigatuma badakora ivyo babasavye gukora ahubwo bakihutira kuja ku mbuga ngurukanabumenyi bavuga ibitari vyo. Akarorero ni nk'Abarundi baba mu bindi bihugu baje mu Burundi nta visas basabwa mugabo iyo basubiyeyo bategerezwa kuba bafise impapuro zibaha uburenganzira bwo kuja muri ivyo bihugu babamwo kugira bemererwe gusubirayo. Izindi ngorane ziba iyo indege yuzuye hakagira imizigo canke amavarizi bisigara canke bitaje,ingenzi ziratera ibibazo iyo zishitse zikabura ivyazo ariko ivyo navyo biba hose.

Ku bijanye n'ibintu bisohoka canke vyinjira, yaramenyesheje ko ata bintu vyinshi bihaca atari amavoka, intore n'amababi y'imivyuka bija hanze.

### c) Ingorane zihari

- Aho ingenzi zinjirira canke zisohokana haraga cane. Mu bisanzwe, ikibuga c'indege cari cubakiwe abantu amajana atatu (300) ku mwaka none ubu haca abantu imiriyoni zitatu (3000.000) ku mwaka.

- Ntibagira ikibanza co kwaguriramwo inyubako.

- Iyo imizigo canke amavarizi yashitse ingenzi zamaze gushika, ntibaronka aho bayabika kuko inzu bakoreramwo ni ntoya iraga cane.

- Ku bijanye n'abakozi, harakenewe intwazangabo 2 canke 3 kugira bigishe ibisongerezi vy'intwazangabo kuko ari bo baharwiriye.

- Mu nzira icamwo abantu bubashwe, icuma bacamwo (scaner) carapfuye bigatuma iyo nzira itagikora.

- Ku bijanye n'imashini nyabwonko bakoresha, bafise izishaje cane bigatuma kwandika abantu bigorana igihe baziye rimwe ari benshi.

Kuri ico, barafise umugambi wuko ingenzi zizokoroherezwa bakavyandika biciye mu buhinga bushasha bakuzuza amakarata y'ivyo basabwa mu mashini canke amaterefone (remplir les fiches en ligne).

-Iyindi ngorane ihambaye ni uko igisenge c'inzu icamwo ingenzi iva iyo imvura iguye.

Abakenguzamateka, bamaze gutembera inyubakwa abajejwe uruja n'uruza bakoreramwo, bahanuye ko boraba ingene bashiraho inzira zibiri: iyicamwo Abarundi badakeneye ibidodo vyo kwinjira (visa) n'iy'ingenzi ziba zikeneye ico kidodo kugira haguke ingenzi zije zishobore kuhava zidatevye.

Barasavye nuko bokubaka aho ingenzi zishikira hanini (aérogare) kugira haguke ariko ko mukurindira izo nyubako, boraba ingene bakuraho aho badandariza ibintu (duty free) kugira inzira zaguke.

Barasavye kandi nuko boraba bagashiraho aho abaje gutegera abantu canke babaherekeje bokugama imvura n'izuba igihe indege zitevye kuza kuko ubu ataho kandi ari nkenerwa.

## VI. URUGENDO RWO KU KIVUKO CA RUMONGE

Abakenguzamateka bagize urwo rugendo mu ntumbero yo kuraba ingene umutekano wifashe kuri ico kivuko nuko uruja n'uruza rwifashe.

Bakiriwe n' uwutwara ico kivuko n'umuhanuzi wa Buramatari ajejwe ivy'amategeko.

**a) Ku biraba umutekano**

Izo ndongozi zaramenyesheje ko umutekano w' ingenzi uriho mu kiyaga ku gice c' Uburundi, ko atabakwirikirana amato ngo bayambure ariko ko ivyo bibaho ku ruhande rwa Kongo.

Ku bijanye n'ibipakururirwa canke bipakiririrwa kuri ico kivuko, ngo nta busuma buhari bugirwa n'abapakira canke abapakurura barabakurikirana cane.

Ku bijanye no gutwara canke kuzana ibintu bitarishe (fraude), ngo ntibishoboka kuko hakorera ibisata bitatu ari vyo vy'ibi: igisata kiraba uruja n'uruza (service des migrations), igisata c' ikigo c'igihugu gitoza amakori (OBR) hamwe n' igisata gicungera ibica mu mazi (autorité maritime).

Baramenyesheje kandi ko n'iyo amato agize ikibazo ari mu mazi ko abasoda bakorera mu mazi baca bihutira gutabara.

**b) Ibijanye n'uruja n'uruza**

Abarundi bagenda ni abaja muri Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo guca amahera. Mu minsi iheze bagenda ari benshi mugabo ubu barahagaritswe kuko babona biteye amakenga.

Ku bijanye n'ibidandazwa vyinjira, bigizwe cane cane n'isima, umunyu, imikeke biva muri Zambiya ,inazi n' imbaho biva muri Tanzaniya.

Ibisohoka : inzoga za Brarudi n'ivyuma vyo kubaka (fer à béton) bija muri Kongo.

Ibifungurwa ntibisohoka kiretse ibishobora kuja mu masakoshi.

**c) Ingorane zihari**

- Ikivuko caratewe n'amazi y' ikiyaga Tanganyika kikaba caragabanutse cane.

- Abakozi ntibakwiye barakeneye abandi kugira ingenzi zoroherezwe.

- Barafise ingorane z' ikibanza c'ububiko bw'ibipakuruwe kubera za ngorane z'amazi ya Tanganyika yateye ikivuko nkuko twabishikirije aho hejuru. Babitereka ku mbaho (palettes) bakabifuka amahema.

Abadandaza bazana ibintu basaba kuriha mu marundi kandi ab' Uburundi nabo bagiye hanze bariha mu mahera y'abanyamerika (dollars), ivyo bikaba bitarekuwe.

-Ikindi cari giteye amakenga abarovyi, abadandaza b'amafi n'abafungura ayo mafi bo mu Rumonge arobwa mu Kiyaga Tanganyika ni ingingo yo kugara ikiyaga igihe c'amezi atatu. Ntibabona ingene bazobaho.

Kuri ico, abakenguzamateka barababwiye ko iyo ngingo atawoyirwanya kuko izotuma umwimbu wiyongera cane.

Izo ndongozi bakiriye abakenguzamateka, barababwiye ko ico kibazo ko Reta ikizi kandi ko yemeye kuzoha amahera makeya abantu bafise ibipe (ubwato) kugira biyungunganye muri ayo mezi atatu, ico abandi batunzwe n'uwo murimo batashimye kuko babona ko bose Reta yogira ico ibafashishije.

Umuhanuzi wa Buramatari avuga ko ico kibazo kibarengeye ko abakenguzamateka bokibatambukiriza.

**d) Ivyo basaba**

- Barifuza ko abakora urudandazwa ruca mu kiyaga Tanganyika ko bakwiye kuja mu mazu y' integabizoza (assurance) kugira ibidandazwa vyabo bikingirwe.

- Kubaka ico kivuko bakacagura kugira baronke ahashikira ibintu n'aho bakorera.

## VII. URUGENDO RWO KU MUPAKA WA MUGINA/ Makamba

Abakenguzamateka bakiriwe n'igisongerezi c'intwanzangabo cari casigariye umukuru w' ikirindiro gikorera kuri uyo mupaka (chef de poste).

**a) Ku bijanye n' umutekano**

Umutekano wifashe neza kuko Abarundi n'Abatanzaniya bakorera kuri uwo mupaka barumvikana kandi barahana amakuru. Ivyibwe barabisubizanya.

**b) Uruja n'uruza**

Abasohoka ni bake ariko abinjira ni benshi, ivyo bigatumwa nuko amahera y'Uburundi ari hasi ugereranije n'amatanzaniya, 100 shilings=180 y'amarundi. Abenegihugu b'ivyo bihugu baraza canke bakagenda kurimirayo canke kuremayo amasoko.

Abinjira baba bafise za mureke arengane (laisser passer) canke «ujilani mwema» iyo batarenga intara ya Kigoma. Izo mpapuro muri ino minsi ntibazitanga ivyo bigatuma abenegihugu ba Tanzaniya n'Uburundi baguma basaba ko zosubira gutangwa.

**c) Ingorane zihari**

Hariho ingorane z' amamashini, nabo nyene bandika ingenzi muri ya makaye twavuze bigatuma ababujijwe kwinjira canke gusohoka batababona.

- Ntibagira aho bafotora impapuro zitanga uburenganzira bwo kwinjira canke gusohoka (ujilani mwema) kuko naho imashini ifotora ikomeye irabuze ico bita irangi (cartouche). Abenegihugu nibo baja kuzifotoreza mu Mabanda.

- Nta muyagankuba bafise bakoresha imishwarara y'izuba (plaque solaire), ibituma haba ingorane iyo izuba ritatse n'amabateri akaba ashaje.

- Nta buryo bw'akazi bwo gutumatumanako amakuru bafise kuko iradiyo (motorora) ntizigira amabateri.

- Nta buraro bukwiye bafise. Bafise ivyumba bitatu batijijwe n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe abimukira (Organisation Internationale des Migrations OIM).

- Ntibaherutse kuronka imyambaro n'ibirato.

- Indya ntizikwiye.

- Barabura inkwi zo guteka ivyokurya.

- Barabura uburyo bwo kwiyunguruza canke kunguruza ibifungurwa n'inkwi zo kubiteka. Inkwi n'ivyokurya babishira ku kirindiro c'igiporisi kiri mu Mabanda bagategerezwa kurondera abashoferi bikorako ngo babibazanire.

- Barafise ipikipiki y'akazi mugabo ntibayiha igitoro (quota) haba mu giporisi canke muri komisariya. Ivyo bituma bagira ingorane zo kwiyunguruza iyo bashaka kuja mu nama.

## D. INAMA Y'UMUTEKANO YAGIRISHIJWE ABAGIZE AMAKOMITE AGIZWE N'INYABUNE BO MURI KOMINE MABAYI N' UMURWI W'ABAKENGUZAMATEKA

Abakenguzamateka b'umurwi wamaho wa mbere, babanje kwakirwa na musitanteri wa komine Mabayi aho yabanje kubiganira ingene ikomine yifashe muri rusangi cane cane ku bijanye n'umutekano, poritike n'imibano.

Ibibazo musitanteri yabashikirije biri muri iyo komine abasaba ko boshikana imbere ni ibi bikurikira :

- ✓ haribonekeza imirwi y'abitwaje ibigwanisho mw'ishamba rya Nyungwe aho Urwanda ruhanira urubibe n'Uburundi bigaca bitera uruhagarara ku benegihugu bo mu makomine ya Mabayi na Bukinanyana;
- ✓ haribonekeza abenegihugubari ku rushi boba baterera iyo mirwi igwana mu kubarungikira ibifungurwa ndetse n'intererano z'amafaranga bakazirungika bakoresheje ubuhinga bwa lumicash;
- ✓ abashigikira iyo mirwi baranayifasha mu kuronka amakuru atandukanye.

Yamenyesheje ko naho biri uko, abenegihugu benshi barakorana neza n'abajejwe intwaro n'umutekano mbere bakanafasha muri ibi bikurikira:

- kugemurira abasirikare bari ku birindiro bitandukanye bisanzwe biri mu kibira;
- barafasha cane mu kuronka amakuru atandukanye mu vy'umutekano,imibano, ubutunzi n'ibindi kubera inama nyinshi z'umutekano abajejwe intwaro baguma bakoresha. Abenegihugu, abajejwe intwaro, abari mu nzego z'umutekano n'ubutugane basenyera ku mugozi umwe.

**Ivyo yasavye ko bobafasha**

- kuronswa imodoka zosahiriza abenegihugu mu kwegereza ibifungurwa n'ibindi vyankenerwa abasirikare bari ku birindiro mu kibira kubera abenegihugu bagenda urugendo runini cane rw'amasaha cumi n'abiri bikoreye ku mitwe bigatuma baruha cane;

- ko hosanurwa ibarabara (route provinciale) rishika ku rubibe Uburundi buhana

n' Urwanda kuko rimeze nabi cane;

- ko Reta y' Uburundi n'iy' Urwanda bogirana ibiganiro kugira ngo imigengeranire cane cane mu bijanye n'ubucuruzi bisubire kubandanya nkuko vyahora kera;

- kwemerera abenegihugu bagasubira kwimba inzahabu kuko kuva mu 1930, abenegihugu b' i Mabayi bari babeshejweho no gucukura inzahabu. Aho Reta ihimirije abantu bose gukorera mu makoperative habonetse ayashika 21 yashinzwe n'abo benegihugu ariko kubera batashoboye kwerekana umwimbu ushimishije nkuko bari babisabwe gushika mu kwezi kwa cumi na kabiri 2022, cumi n'indwi yose yarahagaritswe hasigara hakora 4 gusa, ivyo abenegihugu batakiriye neza kuko batari babwiwe umwimbu bategerezwa gushikana. Ivyo birimwo mu bituma umutekano uhungabana kubera abo bantu badafise ico bakora uyu munsi. Asaba ko Reta yofata ico kibazo mu minwe kuko gifise inkwirikizi mbi ku mutekano;

- ikindi yashikirije ni uko iyo hageze ko Reta ifata ingingo ku bijanye no guhagarika gucukura ubutare, komine Mabayi ikarirwa gusumba izindi komine; aca asaba ko Reta mvyeyi yofata kumwe bose.

Yamenyesheje ko ingaruka mbi z'ivyo vyashikirijwe hejuru ari izi zikurikira:

- umutekano muke bimwe biboneka ;
- ubusuma bukabije bwibonekeza ;
- abenegihugu ntibaba bakigamburukira intwaro nkuko vyahora ;
- ukutitaba amanama n' ibikorwa vy'iterambere.

Yarangije avuga ko umwenegihugu w'aho i Mabayi yopfuma abona ko ariko ayungurura umusenyi wonyene gusa ariko akitwa ko ariko acukura inzahabu.

**Inama n'abaserukiye abandi**

Abaserukiye abandi bari batumiwe ni aba bakurikira:

- komite z'umutekano zihurikiyemwo bose ku mitumba, mu mazone,no mu makomine;

- abatowe ku mitumba;

- inzego z'umutekano;

- inzego zo kwivuna abansi;

- buramatari na ba musitanteri b' amakomine ahererey ku rubibe;

- abenegihugu baherereye ku rub be.

**Ibibazo vyashikirijwe n'abitavye inama**

Muri rusangi ibibazo bashikirije vyasa n'ivyo musitanteri yabwiye abakenguzamateka na vyo bimwe bimwe ni ibi bikurikira:

- ukuntu bagenda ibirometero vyinshi bagemuriye abajejwe umutekano;

- abenegihugu babujijwe kwimba inzahabu ari vyo vyari bibatuze;

- abahuza bo ku mitumba ata gashirukabute baronswa.

**Abakenguzamateka basavye abitavye inama ibi bikurikira:**

- kubandanya bitanga mu bikorwa vyo kugemurira abajejwe umutekano iyo bari ku birindiro bitandukanye;

- gutanga amakuru hakiri kare;

- gukorera mu runani buri gihe;

- gushigikira inzego z'umutekano;

- kwitabira no kwitwararika ibikorwa vy'iterambere rusangi;

- kugira umubano mwiza mu miryango cane cane mu kwirinda guharika n'ibindi n'ibindi.

**E. GUHERAHEZA**

Urugendo abakenguzamateka bagize rwarerekanye ingorane zitari nke ziri mu gisata kiraba uruja n'uruza ku rwego rw' igihugu mu bijanye n' ukubura uburyo bukwiye kandi bubereye ku bijanye n'ibikoresho abakozi b'ico gisata bokoresha. Ivyo bifise ingaruka mbi ku bijanye n'iyoroherezwa ry' ingenzi ziza canke ziva mu Burundi.

Ikindi ni uko vyagaragaye mu nama yakoreshejwe abaserukira abandi muri Komine ya Mabayi ko hari ibibazo vyinshi mu benegihugu vyoshobora kugira inkwirikizi mbi ku mutekano igihe bitoja biraganirwako kare ngo bitorerwe inyishu. Abenegihugu bakaba basavye ko abo bitoreye boja barabagendera kenshi kugira baganire bongere babature akababakiye. Twomenyesha ko inama zari ziteguwe kugirishwa inyabune mu ntara abakenguzamateka bagendeye zitashobotse atari mu ntara ya Cibitoke kubera umwanya wabaye muto cane.

**KU BW' UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VYA PORITIKE, IVY' IMIGENDERANIRE Y'UBURUNDI N'AMAKUNGU, IVY'UKWIVUNA ABANSI N'IVYUMUTEKANO;**

**Umukenguzamateka Gad NIYUKURI, Umukuru w'umurwi.**